# Burya Ubwami bw'ijuru, buri hafi cane y'umwe muri mwebwe kurusha umugozi w'ikirato yambaye. Kukaba nkako, n'umuriro udahera, ni ukwo nyene

Mu vyakiriwe na Mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze ati: "Burya Ubwami bw'ijuru, buri hafi cane y'umwe muri mwebwe kurusha umugozi w'ikirato yambaye. Kukaba nkako, n'umuriro udahera, ni ukwo nyene"".

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arigana mu kwerekana ko Ubwami bw'ijuru n'umuriro udahera, biri hafi cane y'umuntu nka kurya umugozi w'ikirato yambaye uri hafi yiwe. Ivyo bikabonekera mu kuba hari igihe umuntu akora igikorwa c'iyumviramana, maze Imana Allah Ikagishima, Ikakimuhembera Ubwami bw'ijuru; canke agakora icaha gituma yinjira mu muriro udahera.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee